ISHIRAHAMWE RIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU "ITEKA"

# ICEGERANYO C'INDWI

## "Iteka n'Ijambo"

*Uwo uri wese ubahirizwa*

***Indwi yo kuva kuwa 21-27 Ndamukiza 2025***

## *0. INTANGAMARARA*

Ico cegeranyo cerekana igihe kiraje ishinga agateka ka zina muntu hamwe n'umutekano mu Burundi muri iki gihe dutera twerekeza mu matora y'abaduserukira hamwe n'abajenama b'ama komine ategekanijwe kuwa 5Ruheshi haza. Kirerekana ishusho ya politike irangwa n'ubunenge bwinshi.

Haharugwa abantu 13 bapfuye, haraimwo 6 batowe ibiziga. Muri abo bantu bapfuye harimwo umukenyezi, abigeme 2 hamwe n'umuyabaga y'egereje imyaka 15.

Vyongeye, umuntu umwe yaranyurujwe, 2 baraborejwe igufa harimwo umwana yaturiwe na nyina, 1 yahohotewe bifatiye ku gitsina na 2 bahagaritswe bitemewe n'amategeko.

Agateka k'abantu no muri politike,agateka mu mibano,ubutunzi no ku mico kama navyo nyene biragarukwako muri kino cegeranyo.Ishusho ya politike, umutekano n'intwaro ibereye barayitubarira navyo nyene.

Imbonerakure, abapolisi hamwe n'anari mu ntwaro n'bo ahanini bikekwako ayo mabi yo guhohotera agateka ka zina muntu.

**IBICE BIKURU BIKURU**

*I. UMWIHWEZO*

*II. UBURENGANZIRA BW'ANYAGIHUGU NA POLITIQUE*

*III. UBURENGANZIRA M'UBUTUNZI, IMIBANO N'AKARANGA*

# IBIRIMWO

*I. UMWIHWEZO*......................................................................................................4
*I.1.UMWIHWEZO WA POLITIKE*..........................................................................................4
*I.2ISHUSHO Y'UBUTUNGANE*..........................................................................................11
*I.3.ISHUSHO Y'INTWARO*..........................................................................................11
*I.4.ISHUSHO Y'UMUTEKANO*..........................................................................................12
*II.UBURENGANZIRA BW'ABANYAGIHUGU NO KURI POLITIKE*..........................................13
*II.1.UBURENGANZIRA BWO KUBAHO*..........................................................................................13
*II.1.1.IBIZIGA VYATOWE*..........................................................................................13
*II.1.2.ABANTU BISHWE KUBERA KWIHANIRA*..........................................................................................13
*II.1.3.ABANTU BISHWE N'ABICANYI BATARAMENYEKANA*..........................................................................................14
*II.1.4.Abantu bishwe kubera ivyo baheraniraniye*..........................................................................................16
*II.1.5.Abantu banyurujwe n'ababuzwe irengero*..........................................................................................16
*II.2.UGUTAHURANA MURI VYOSE*..........................................................................................17
*II. 2.1. KUBOREZWA IGUFA N'AYANDI MAKUBAGURWA ATAGIRA IZINA*..........................................17
*II.2.2. Gufata kunguvu n'ihohoterwa rifatiye ku gitsina* ..........................................................................................17
*II.3.UBURENGANZIRA BWO KWISHIRA NO KWIZANA*..........................................................................................17
*II.3.1.ABANTU BAHAGARITSWE BAGAPFUNGWA BIDACIYE MU MATE-GEKO*..........................................................................................17
*II.3.2. Uburenganzira ku mwidegemvyo no gutembera uko ubishatse*..........................................18
*III. UBURENGANZIRA KU BUTUNZI,IMIBANO N'IMICO KAMA*..........................................18
*III.1.UBURENGANZIRA KU NDERO*..........................................................................................18
*IV. GUSOZERA N'IMPANURO*..........................................................................................19

# *IMPFUNYAPFUNYO*

| | |
|---|---|
| ***BSR*** | *: Inyubakwa idasanzwe y'ubushakashatsi* |
| ***CDS*** | *: Ivuriro* |
| ***CECI*** | *: Umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora kurwego rwa komine* |
| ***CENI*** | *: Umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora kurwego rw'igihugu* |
| ***CNDD FDD*** | *: Ihuriro ry'igihugu riharanira demokarasi* |
| ***CNL*** | *: Ihuriro ry'igihugu riharanira ubwigenge* |
| ***COOPEC*** | *: Ikigega co kuziganya no kuguranana.* |
| ***COOPEDI*** | *: Ikigega co kwiteza imbere Ineza Iwacu* |
| ***DCE*** | *: Umuyobozi w'indero muri komine* |
| ***DG*** | *: Umuyobozi mukuru.* |
| ***ECOFO*** | *: Ishure shingiro* |
| ***FARDC*** | *: Ingabo za Repubulika ya kongo.* |
| ***FDD*** | *: Urwego rurwanira demokarasi* |
| ***FRODEBU*** | *: Urunana ruharanira demokarasi mu Burundi* |
| ***ISABU*** | *: Ikigo c'ubushakashatsi n'uburimyi mu Burundi.* |
| ***OPJ*** | *: Inyamiramabi* |
| ***RDC*** | *: Repubulika iharaanira demokarasi ya kongo.* |
| ***UPRONA*** | *: Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu* |

# I. UMWIHWEZO

## I.1. UMWIHWEZO WA POLITIQUE

***Kugena no gutegura abagize utuzu tw'amatora vyaranzwe n'utunenge***

Indwi yo kuwa 21-27 Ndamukiza 2025 mugihugu cose yaranzwe no gushiraho abagize utuzu tw'amatora hamwe no kubategura mu ntumbero yo kwitegurira amatora yimirije yategekanijwe muriruhesh mu Burundi. Ico gikorwa caranzwe n'imyidogo kubadakomoka mu mugambwe CNDD-FDD,bamaze kubona abo bashizemwo ngo bazoyahagarikire.

Mu ma komine nka Bugendana, Gishubi n Gitega, abakuru b'utuzu tw'amatora bose bakomoka muri CNDD-FDD. Mbere na bakeya batanzwe n'umugambwe UPRONA bari kuntonde z'abagize utuzu baja mu bibanza vy'abanywanyi basanzwe b'umugwi. Nicayenzi Jean Berchmans, aserukira umugambwe FRODEBU avuga ko atabona igituma bavuga amatora mugihe ibikorwa vyose bijanye n'amatora bizokorwa n'abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD bonyene. Nkurunziza Barthazar, ari mubagize umugwi ujejwe gutegura amatora muri komine Gishubi yavugiye hejuru ati : « Ayo ma enveloppe muzana nayo muriko mupfisha ubusa ». Intonde zagizwe n'abatwara umugambwe CNDD-FDD ku mitubwa. Twomenya ko ama komine 11 yahora agize i ntara ya Gitega yateranijwe akaba amakomine 3 yonyene hisunzwe indinganizo nshasha y'intwaro mu ntara no mu ma komine.

Muri komine Bugengana, igikorwa cotegerejwe gukorwa atagukumira kandi ku mugaragaro, cazanye imyidogo myinshi ku banywanyi batashizwemwo. Ikiboneka n'uko abashizwemwo bose ari abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD. Mbere vyaragaragaye ko nka bose mu bakozi ba komine na zone batangurira intonde. A batari muri CNDD-FDD baribaza ku bwigenge bw'abagize utuzu tw'amatora mu matora yimirije. Haribonekeza ukudakorera ku mugaragaro mugucagura abagize utuzu tw'amatora kubera atabahasha n'imwe yuguruwe muzo abashaka ako kazi batanze, nkuko tubibarirwa na bamwe mu bigisha bakomoka muri CNDD-FDD batagize amahirwe yo gushikirwa. Barongerako intonde z'abahugurwa zashizweho n'abaserukira umugambwe CNDD-FDD muma zone, imisi 5 imbere yo gutangura kwakira abagasaba. Iyo ngendo ikumira yazanye ishavu, mbere no mu mugambwe uri ku butegetsi kuko abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD benshi, bari biteze kujamwo, barageragеje kuburabuza ihugurwa bavuga ko badatahura ukuntu abantu batanasavye ako kazi mugutanga ibibaranga bari kuntonde.

**Muri komine Muramvya,** ihugurwa ry'abagize utuzu tw'amatora ryabaye kuwa 23 n'uwa 24 Ndamukiza 2025 munyubakwa y'ishule lycee Muramvya. Kubwo umunyamabanga wambere w'umugambwe UPRONA muri komine Muramvya, Setabaruka Jean Pierre, umugambwe wiwe wari watanze muri CECI abanywanyi 98, ariko nta muntu n'umwe bashizemwo,co kimwe no muyindi migambwe. Kubwo uwo munya politike nyene, ibivugwa mw'ibwirizwa rya 40 ryo mw' ibwirizwa ry'amatora bimenyesha ko « igena ry'abagize utuzu tw'amatora ritegerezwa kubahiriza, mu buryo bushoboka, ubutandukane bwa politike,ubwoko hamwe n'igitsina ». Iyindi migambwe yamaze kubonamwo intango y 'ubusuma bw'amatora.

**Mu ntara ya Bujumbura,** i Gomvyi, komine Mugere, ihugurwa ryabereye mu nyubakwa y'iyahoze ari komine Kabezi kandi igenwa ry'abagize utuzu tw'amatora ryari riteye amakenga kubanyagihugu n'abanyapolitike bahaba.

Ivyo batashimye vyarashizwe ahabona, imyidogo ikaba :

- Ubwinshi bw'abakozi ba Reta : Abanyagihugu baribaza ku bwinshi bw'abakozi ba Reta mubagize utuzu tw'amatora, mugihe hari abatagira ubuzi bwa Reta benshi bahaba.
- Abaserukira abandi kutuzu tw'amatora bagwanijwe : Abantu babona ko abashinzwe guserukira amazu y'amatora batagira ubushobozi.

- Inuganugwa ry'uguhengama : A begwa na politike babona ko abo bantu bashizweho kugira boroshe ubusuma bw'amatora

- Guhengamira mu vya politike : Abagise utuzu tw'amatora basanzwe ari abanywanyi ba CNDD-FDD, bigatera amakenga k'ukudahengama kw'amatora yimirije.

Imbere y'ivyo bintu.abantu bahaba baragaragaza umubabaro kuvyerekeye ingene amatora yimirije azogenda.

Kuvyerekeye intara ya Rutana, indwiyo kuwa 21-27  Ndamukiza 2025 yaranzw n'ishirwaho ry'abagize utuzu tw'amatora hamwe n'ihugurwa ryabo mu ma komine yose agize iyo ntara.

Kubwo amakuru twahakuye,mu makomine yose,nka bose mubagize abaserukira utuzu tw'amatora ni abayobozi b'amashure shingiro, bakaba nka bose bava mu mugambwe CNDD-FDD.

Ni co kimwe mu ntara za Cankuzo na Ruyigi. Abarongoye utuzu tw'amatora  bose ni abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD. Abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na Reta mu ntara bavuga ko ataco bimaze kuja gutora baravye abagize utuzu tw'amatora iyo baje bava.

**Inama n'intererano vyo kunguvu mu ntumbero yo gutanga uburyo bwokoreshwa kumusi wo kwerekana ubukomezi bwa CNDD-FDD**

**Muri komine Gitanga yo mu ntara ya Rutana,** uwurongoye umugambwe CNDD-FDD kurwego rwa zone, kuwa 23Ndamukiza 2025, yakoranije abigisha bo muri zone Kinzanza bari kumwe mu mugambwe mu ntumbero yo gutegura amatora hamwe no kwerekana inkomezi z'umugambwe kurwego rw'intara.

Kuwa 22 Ndamukiza 2025,iyo ndongozi y'umugambwe ku rwego rwa zone yakoranije  abagumyabanga bo ku mutumba Nyagisambwe  mu ntumbero yo gutegura neza amatora yo muri 2025, kandi kuwa 24 Ndamukiza  2025, hari haramukiwe umunyamabanga w'umugambwe kugwego rwa komine guhura n'abagumyabanga ba komine Gitanga, mu ntumbero yo gutegura amatora neza nyene.

**Mu ntara ya Cankuzo ,** kuva kuwa 14 gushika kuwa 26 Ndamukiza, abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD barabandanije  gutoza intererano kunguvu zagenewe kwerekana inkomezi za CNDD-FDD vyari vyategekanijwe kuwa 26 Ndamukiza 2025 muri komine Cankuzo. Kubwo amakuru dukurayo, iki kiringo caranzwe no gutororokanya amahera n'ibifungurwa mu mihana yose, mu buzi bwa Reta no mubigenga, kubo aribo bose atanumwe bakuyemwo mu ntumbero yo gushigikira no guterera  umusi wahariwe kwerekana inkomezi wateguwe n'Imbonerakure,Abakenyererarugamba hamwe n' Abagumyabanga bava mu mihingo itandukanye y'igihugu wategekanijwe  mu Cankuzo.

Kubwo ayo makuru nyene, Marciane Citeretse, umunywanyi wa' umugambwe CNDD-FDD, akaba  n'umugenduzi mu ntara  w'akazi ko kwandikisha no gufuti, mu gitondo c'uwa 23 Ndamukiza 2025, yari afise urutonde mu ntoke yatembereza  kubuzi bwose  bwa Reta kugira aroze uburyo abakora ubuzi bwa Reta mu ntara. Uwaterera  yiyandika izina n'iritazirano,ico akora, ayo atanze, ibiharuro vya terefone yiwe hamwe n'umukono. Benshi baterera kubwoba  bwo kugirirwa nabi vyateguriwe abakeba.

Muri uwo mwanya, Imbonerakure zindi hamwe n'abakenyererarugamba baca mumihana itandukanye batororokanya batoza  ibifungurwa harimwo ibiharage, umuceri, ibigori,…Akazi kose,ishure, i barabara,, karatiye, umutumba, ivuriro,ibitaro,…vyari bifise uwujejwe iryo tozwa akuzako.

**Mu ntara ya Kirundo** kuwa 22 Ndamukiza 2025, ku kibiga  Bushaza , umutumba Nyange Bushaza , komine n'intara ya Kirundo, inama y'abagendesha amapikipiki mu ntara yose  yarateguwe n'ababaserukira bemeje ko intumbero ari iyo kubabarira ingingo yafashwe mungoro y'umugambwe

CNDD-FDD ku rwego rw'intara. Kubabivuga bari no munama, uwugendesha ipikipiki wese ategerezwa kuriha 50000 y'intererano mugihe c'amatora. Abagendesha ama pikipiki bahisemwo kunuma bidogera iyo ngingo. Bavuga ko ingo zabo zaterereye mugihe c'itororokanya amahera y'amatora kunzu kunzu.

**Ibikorwa vy'umugambwe CNDD-FDD bihungabanya ibindi bikorwa vya misi yose**

Muri iki kiringo c'iyindwi nyene kuva kuwa 14 Ndamukiza 2025, harabaye ibikorwa bitandukanye vyateguwe na CNDD-FDD mukwitegurira kwerekana ubukomezi vyo kuyu wa gatandatu 26 Ndamukiza 2025, nk' ikarashishi y'Imbonerakure harimwo iterabwoba muguhagarika imirimo y'abandi, n' ugutegeka kugara canke guhagarika ubuzi bw'abigenga nko gupakira kumakinga,ku pikipiki, uburiro, aho basokoreza, utuzu tw'ubudandarizo dutandukanye,…, amanama, ibikorwa rusangi kumitumba,… bikababaza, Imbonerakure zadutse zikubita abatitavye ivyo bikorwa.

**Mu ntara ya Karuzi,** kuwa 22 Ndamukiza 2025, igihe c'isaha 8, ku mitumba yose n'ama karatiye vy'intara , inama z' abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD ku zarabaye ku ma karatiye n'uducimbiri. Aho duherereye, abamenyesha inama batanguye kuzunguruka mu mitumba n'amakaratiye kuva igihe c'isaha zibiri bamenyesha izo nama n' ivyuma bisohora amajwi. Kuva igihe c'isaha indwi, batanguye kugaza inzu z'ubudandarizo n'iz' uburiro kunguvu ku miji mitoya no mu mitumba. Ababivuga bari mu mirima bamenyesha ko Imbonerakure zabatse amasuka n'ibindi bikoresho.

Kubwo abari mu manama, bari bafise ubutumwa bw'igihugu bubatumirira kuzinduka cane gutora amakarata yo gutora mugihe zoboneka, babahimiriza ko batocerwa canke ngo barindire ku musi ugira kabiri.Barongeyeko ko abagumya nyabo bazitora kumusi wambere ariko umusi wo kuzitanga nturamenyekana. Inama yagirishijwe n'indongozi za CNDD-FDD zavuye kuyindi mitumba canke karatiye,itandukanye n'iyabo.

**Mu ntara ya Makamba neza na neza muri komine Kayogoro,** kuwa 25 Ndamukiza 2025,urwaruka rw'abigeme bahurikiye muri CNDD-FDD rwarazungurutse utubarabara two hagati mu Kayogoro bafise inkoni zikoze nk'inkoho. Kubwa bo, bariko bitegurira ibirori vyo kwerekana ubukomezi kurwego rw'intara.

**Kwerekana inkomezi z'umugambwe CNDD-FDD mu ntara ya Cankuzo**

Kuwa 26 Ndamukiza 2025, muri komine Cankuzo ihurikiyemwo amakomine ya kera nka Cankuzo na Kigamba, intara ya Cankuzo, wari umusi wo kwerekana inkomezi z'umugambwe CNDD-FDD. Amakuru dukurayo, muri komine Cankuzo, indwi yo kuva kuwa 21 gushika kuwa 27 Ndamukiza yaranzwe n'imyiteguro y'uwo musi : gutegura urugendo rw'umunezero vyakozwe n'urwaruka rw'abigeme bahurikiye muri mu mugambwe, umwiteguro w'imigwi ivyina mu ntambo, kwimenyereza kw'imigwi y'umupira w'amaguru ihurikiyemwo urwaruka rw' abigeme b'uwo mugambwe, gutoza amahera n'ibifungurwa bizokoreshwa kuruwo musi n'ibindi.

Kubw'ayo makuru, kuvyerekeye gutoza imfungurwa, umuryango wose wategerezwa gutanga amahera 3000, canke ibiro 3 vy'ibigori vyo gutegura inzoga izokoreshwa kuri uyo musi. Ku bakozi ba Reta bahurikiye mu mugambwe, intererano yari amahera 5000.

Iryo tororokanya ry'ibifungurwa ryakuzako ku banywanyi n'abataribo,ivyashavuje abanyagihugu bibaza ukuntu umuntu ashobora guterera kunguvu umugambwe utari umunywanyi wawo. Urwaruka rw'uwo mugambwe rwatora iyo ntererano rwabarira abanyagihugu ko ko uwudaterera yandikwa ahantu kandi atazoronka ikintu nakimwe gitangirwa muri komine kubera afatwa nk'umwansi w'igihugu.

Ayo makuru nyene arongerako ko ibikorwa vy'uwo musi vyaranguye isaha 11 zo mu gitondo aho abantu bose baba mu cankuzo, bakanguwe n'urwamo rw'urwaruka rw'umugambwe CNDD-FDD rwariko ruzunguruka ama karatiye y'igisagara mw'ikarashishi. Indirimbo z'urwo rwaruka zaritandukanya uwo

musi kuko ntabitutsi batuka abo muyindi migambwe vyarimwo nk'uko bari bamenyereye kubigira.

Urwaruka rwose rw'uwo mugambwe ruva mumitumba yose ya komine nshasha ya Cankuzo yahuriye ahantu bita kuri rond-point kw'ibarabara riva mu Ruyigi baca bafata iya muyinga baca imbere y'ikambi y'abasirikare yo Kumutukura.

Inyuma y'ikarashishi. Baciye batonda kugira bagire urugendo rwo kwerekana ubukomezi. Imbere yaho gato, habaye akanama mw'ibanga,k'indongozi zikomoka mu mugambwe CNDD-FDD zagenywe n'ibwirizwa ryo mungoro y'umugambwe kugwego rw'intara. Kubwo umunywanyi w'umugambwe atashatse kumenyekana, ako kanama kari gafise intumbero yo kubategeka gutanga intererano y'amatora yimirije aho abashingamateka bazotegerezwa gutanga amahera 500.000, abatashizweho n'ibwirizwa nabo amahera300,000.

Urwo rugendo rwatanguriye iruhande ya paruwase ya Cankuzo ruherera ku kibuga ca BUHUMUZA ahabereye inkino zibiri z'umupira w'amaguru. Urukino rwa mbere rw'umupira w'amaguru rwatanguye igihe c'isaha8.Rwari urukino rw'abakobwa rwahuje umugwi w'abakobwa w'i Muyinga n' umugwi wa Cankuzo. Urukino rwasozerewe umugwi w'abigeme b'imuyinga ufise ibitsindo3 kubusa bw'umugwi w'abigeme ba Cankuzo.

Igihe c'isaha 8 n'iminuta 45, hatanguye urukino rw'umupira w'amaguru w'abahungu wahuje umugwi wa komine Gisagara n'umugwi wa komine Ruyigi. Umugwi wa Gisagara waratsinze ku bitsindo 2 hamwe n'ubusa bw'uwa Ruyigi.

Kubw'ayo makuru nyene,mw'ijambo ryiwe , Gerard Barutwanayo yasavye abagumyabanga ko boguma biyunze nk'abakinyi b'umupira w'amaguru iyo bariko bagwanira ikambi murukino ,ivyatumye abari bahari baguma biyumvira ico yashatse gushikiriza muri ayo majambo. Ni ugusidukana n'iyonka kw'isango ryo kuwa 5 Ruheshi 2025, umusi w'amatora kandi mutore umugambwe CNDD-FDD, iyo ndongozi irabandanya ivuga.

Kubwa Shabani Nimbona,uwuserukira umuhari w'urwaruka kurwego rw'intara ya Buhumuza yari ahari, yavuze ko uri urwaruka uba uri « Imbonerakure » bisigura kuba imbere y'abandi, ni ukuvuga mw'iterambere ry'i gihugu, ku mutekano, n'ibindi. Ari naco gituma kumusi w'amatora mutegerezwa kuvyuka kare kugira mucunge umutekano,yabandanije avuga. Ku kazu kose k'amatora hategerezwa kuba hariho n'imiburiburi 2 canke 3 b'urwaruka kugira bacungere umutekano kugira ntibarekere ikibanza abo batavuga rumwe « abakeba ». Abo bakeba avuga ni nk'abarorerezi bo mumashirahamwe yigenga, abarorerezi bo mugihugu n'abo hanze yaco.

Bamwe bamwe baribaza ukuntu urwaruka rw' Imonerakure ruzokwihindura abajejwe umutekano basanzwe bakwiye kandi bahembwa na Reta. Ivyo bamwe bita ibikorwa vy' iterabwoba kumusi w'amatora kandi bishobora konona amatora.

**Inama z'umugambwe CNDD-FDD zo gutegura amatora yimirije mu ntara za Cankuzo, Rutana na Makamba**

**Mu ntara ya Cankuzo,** kuwa 24 Ndamukiza 2025, ku mugwa mukuru wa komine Cendajuru, intara ya Cankuzo, harabaye inama y' urwaruka rw' Imbonerakure zivuye mu mitumba yose igize i komine, igirishwa na Nestor Irambona batazira Volontaire, munyubakwa y'amanama ya komine. Kubwa Nestor Irambona, intumbero y'iyo nama kwari guhimiriza urwaruka, ko umuntu wese w' Imbonerakure nyakuri, ahamagariwe ahamagariwe gucungera umutekano ku musi w'amatora. Kwirembo ry'aho batorera hose hazoba hari Imbonerakure 2 canke 3 mu ntumbero wo gucunga neza abanywanyi bose b' umugambwe CNDD-FDD bazokwitaba amatora kuko hari abafise aho bahengamiye muri politike,yongeyeko. Bashobora kwiyerekana ko bari kumwe natwe ariko ari abacangero, ari naco gituma ari ukubagumizako ijisho.

Kubwo amakuru dukurayo, abanywa baho bo muyindi migambwe canacane abo batavuga rumwe bafata ivyo nk'ibikorwa vy'iterabwoba rigirirwa abanywanyi babo. Kuri ubwo batera akamo amashirahamwe yigenga hamwe n'amakungu gukwirikiranira hagufi integuro y'amatorayimirije baravye iyo nyifato y'urwaruka rw'Imbonerakure. Basaba CENI kudahengama no kutagira nkunzi mw'itegura ry'amatora.

**Intara ya Rutana muri komine ya Bukemba,** kuwa 25 Ndamukiza 2025, umugambwe CNDD-FDD waragize inama kurutonde rw'ivyigwa hari integuro y'amatora.

Kubwo amakuru dukurayo, iyindi migambwe isa n'iyitari ku rubuga, hari utuzu tw' imigambwe imwe imwe canke ibiranga imigambwe nka FRODEBU, UPRONA, na CNL. Iyo migambwe ntikora ibikorwa vyibonekeza, nta n'inama isanzwe y'umugwi nyobozi kanaka.

**Komine Giharo yo mu ntara ya Rutana nyene,** ni umugambwe uri ku butegetsi wonyene wateguye inama zifise urutonde rw'ivyigwa hari amahoro n'umutekano hamwe no gutegura amatora. Kuri ubwo kuwa 22 Ndamukiza 2025, ku mitumba Mwebeya na Kabingo, muri zone Butezi, harabaye inama y'u-mugambwe uri ku butegetsi, kandi kuwa 23 Ndamukiza 2025, ku mitumba Butezi,Rubanga na Nkanka muri zone Butezi nyene kuwa 25 Ndamukiza 2025, ku mutumba Muzye wo muri zone Muzye ;ku mu-tumba Gakungu, zone Gakungu no ku mutumba Nkanka, zone Butezi.

Kuwa 26 Ndamukiza 2025, inama zarabaye ku mitumba Giharo,Mura,Bukeno, Bayaga,Nkudye na Ka-nyererwe muri zone Giharo kandi ku rutonde hari amahoro, umutekano n'itegura ry'amatora nyene.

**Kuvyerekeye komine Musongati,** inama y'umugambwe CNDD-FDD yarabaye kuwa 22 Ndamukiza 2025, ku mutumba na zone Shanga kandi kurutonde hari integuro y'amatora hamwe n'itegura ry'ibirori vyo kwerekana ubukomezi bw'umugambwe CNDD-FDD ku rwego rw'intara bitegekanijwe kuwa 26 Ndamukiza 2025 i Mahwa.

Kubwo amakuru dukurayo, imigambwe iri ku rubuga ni CNDD-FDD nyene, UPRONA, CDO na PIE-BU ;ibivyerekana ni amabendera ahungabana ku ngoro zabo hamwe n'ibimenyetso abanywanyi bam-baye. Muri ino ndwi ni umugambwe uri ku butegetsi wonyene wagize inama.

**Mugusozera muri komine Rutana,** inama y'umugambwe CNDD-FDD yarabaye kuwa 21 Ndamukiza 2025 ku mutumba na zone Gitaba, muri komine n'intara ya Rutana. Bukeye bwaho kuwa 22 Ndamukiza 2025, inama bifise intumbero imwe yarabaye mu ma karatiye ya Gahuna na Mikurira muri zone, ko-mine n'intara ya Rutana. Izindi nama zarateguwe kuwa 26 Ndamukiza 2025,ku mitumba Rongero na Karinzi,zone,komine n'intara ya Rutana.

Twibuke ko muri izo nama zose, ku rutonde rw'ivygwa hariko amahoro,umutekano no gutegura amato-ra.

**Kuvyerekeye intara ya Makamba,** ni canecane muri komine kayogoro aho kuwa 21 Ndamukiza 2025, inama z'umugambwe CNDD-FDD zifise urutonde rw'ivygwa :Amahoro ,umutekano hamwe n'ugutegu-ra kwerekana inkomezi z'umugambwe CNDD-FDD ku rwego rw'intara ya Burunga.

Kubwo amakuru dukurayo, umugambwe CNDD-FDD ubicishije ku nzego z'umugambwe muri zone,warateguye urugendo rw'abahimiza muri politike muri zone kayogoro kugira barabe aho imyitegu-ro y'amatora ya 2025 igeze hamwe no kwerekana ubukomezi bw'umugambwe CNDD-FDD ku rwego rw'intara vyategekanijwe kuwa 26 Ndamukiza 2025 i Mahwa.

Kubwayo makuru nyene, kuruwo musi nyene wa 21 Ndamukiza 2025,muri zone Mugeni,uwurongoye umugambwe CNDD-FDD ku mutumba, yaragirishije inama Abakenyererarugamba bo kumutumba Ki-gomagoma. Muri zone Gatabo yo muri iyo komine, umukuru w 'umugambwe uri ku butegetsi ku

mutumba Nkaramanyenye aherekejwe n'abajejwe kwigisha akarangamutima k'umugambwe bo kuri uwo mutumba, baragirishije inama abaserukira inama nshingiro z'umugambwe, kurutonde rw'ivyigwa harimwo guhimiriza kuja gutora amakarata bazotorerako igihe bazozitanga bkaba bizotangura mu misi iza no kwitaba amanama atandukanye atunganywa n'umugambwe canecane izitunganijwe kuwa gatandatu mu nama nshingiro.

Kubwo ayo makuru nyene, muri iyo zone , kuri uyo musi,umugambwe uri ku butegetsi waratunganije igikorwa kigamije kwerekana ubukomezi bwa CNDD-FDD murico hakaba harimwo umuhanuzi wa komine ajejwe ibikorwa vy'ubutunzi,politike,ubutungane n'imibano.

Mwiyo ntumbero kuwa 22 Ndamukiza 2025, ku mutumba kibimba, zone Kayogoro yatunganije inama ku rutonde harimwo amahoro, umutekano, ugutegura amatora hamwe no gutegura kwerekana ubukomezi bw'umugambwe ku rwego rw'intara ya Burunga.

Kuwa 23 Ndamukiza 2025, ku gacimbiri Musenga, umutumba Shaka, zone Dunga, harabereye inama y'abayoboke b'umugambwe CNDD-FDD.Kubwo amakuru dukurayo, inzego z'umugambwe muri zone zarabagendeye kandi ku rutonde rw'ivyigwa harimwo amahoro, umutekano hamwe no gutegura amatora.

Kubwo amakuru twarose, kuri uwo musi nyene, muri zone Gatabo, harabaye urugendo rw'abajejwe kwigisha umugambwe mu nama shingiro ya 24 ;25 ;26 ;27 ;28 ;29 na 30 zo kumutumba Nkaramanyenye muntumbero yo guhimiriza a Bagumyabanga bazosidukane n'iyonka mu birori bigamije kwerekana inkomezi z'umugambwe ku gwego rw'intara bitegekanijwe kuwa 26 Ndamukiza 2025 i Mahwa.025,harabaye urugendo rw'umunyamabanga mukuru w'umugambwe CNDD-FDD mu ma zone Mugeni na Gatabo. Kubwo amakuru duurayo,mw'ijambo ryiwe, yakoresheje imvugo amenyereye turavye amajambo akunda kuvuga : *« Uwuzorukarisharuzomumwa,uwuzowucana bazowumuzimirizako kandi ntibazokoresha amaz*i ».Twibike kandi ko n'abaserukira amasengero atandukanye akorera muri komine Kayogoro bari bamenyesheje ko amasengesho yabo ategerezwa kurangira igihe c'isaha 4 kugira barekure abanyagihugu.

**Umugambwe UPRONA wiganye umugambwe uri ku butegetsi muri komine n'intara ya Rutana.**

Kuwa 27 Ndamukiza 2025 ku mutumba Museno,zone,komine n'intara ya Rutana, umugambwe UPRONA waragize inama. Amakuru dukurayo ku rutonde hari ikibazo kimwe gusa arico gutegura amatora.

**Intara ya Rutana muri komine ya Bukemba,** kuwa 25 Ndamukiza 2025, umugambwe CNDD-FDD waragize inama kurutonde rw'ivyigwa hari integuro y'amatora.

Kubwo amakuru dukurayo, iyindi migambwe isa n'iyitari ku rubuga, hari utuzu tw' imigambwe imwe imwe canke ibiranga imigambwe nka FRODEBU, UPRONA, na CNL. Iyo migambwe ntikora ibikorwa vyibonekeza, nta n'inama isanzwe y'umugwi nyobozi kanaka.

**Komine Giharo yo mu ntara ya Rutana nyene,** ni umugambwe uri ku butegetsi wonyene wateguye inama zifise urutonde rw'ivyigwa hari amahoro n'umutekano hamwe no gutegura amatora. Kuri ubwo kuwa 22 Ndamukiza 2025, ku mitumba Mwebeya na Kabingo, muri zone Butezi, harabaye inama y'umugambwe uri ku butegetsi, kandi kuwa 23 Ndamukiza 2025, ku mitumba Butezi,Rubanga na Nkanka muri zone Butezi nyene kuwa 25 Ndamukiza 2025, ku mutumba Muzye wo muri zone Muzye ;ku mutumba Gakungu, zone Gakungu no ku mutumba Nkanka, zone Butezi.

Kuwa 26 Ndamukiza 2025, inama zarabaye ku mitumba Giharo,Mura,Bukeno, Bayaga,Nkudye na Kanyererwe muri zone Giharo kandi ku rutonde hari amahoro, umutekano n'itegura ry'amatora nyene.

**Kuvyerekeye komine Musongati,** inama y'umugambwe CNDD-FDD yarabaye kuwa 22 Ndamukiza 2025, ku mutumba na zone Shanga kandi kurutonde hari integuro y'amatora hamwe n'itegura ry'ibirori vyo kwerekana ubukomezi bw'umugambwe CNDD-FDD ku rwego rw'intara bitegekanijwe kuwa 26 Ndamukiza 2025 i Mahwa.

Kubwo amakuru dukurayo, imigambwe iri ku rubuga ni CNDD-FDD nyene, UPRONA, CDO na PIEBU ;ibivyerekana ni amabendera ahungabana ku ngoro zabo hamwe n'ibimenyetso abanywanyi bambaye. Muri ino ndwi ni umugambwe uri ku butegetsi wonyene wagize inama.

**Mugusozera muri komine Rutana,** inama y'umugambwe CNDD-FDD yarabaye kuwa 21 Ndamukiza 2025 ku mutumba na zone Gitaba, muri komine n'intara ya Rutana. Bukeye bwaho kuwa 22 Ndamukiza 2025, inama bifise intumbero imwe yarabaye mu ma karatiye ya Gahuna na Mikurira muri zone, komine n'intara ya Rutana. Izindi nama zarateguwe kuwa 26 Ndamukiza 2025,ku mitumba Rongero na Karinzi,zone,komine n'intara ya Rutana.

Twibuke ko muri izo nama zose, ku rutonde rw'ivygwa hariko amahoro,umutekano no gutegura amatora.

**Kuvyerekeye intara ya Makamba,** ni canecane muri komine kayogoro aho kuwa 21 Ndamukiza 2025, inama z'umugambwe CNDD-FDD zifise urutonde rw'ivygwa :Amahoro ,umutekano hamwe n'ugutegura kwerekana inkomezi z'umugambwe CNDD-FDD ku rwego rw'intara ya Burunga.

Kubwo amakuru dukurayo, umugambwe CNDD-FDD ubicishije ku nzego z'umugambwe muri zone,warateguye urugendo rw'abahimiza muri politike muri zone kayogoro kugira barabe aho imyiteguro y'amatora ya 2025 igeze hamwe no kwerekana ubukomezi bw'umugambwe CNDD-FDD ku rwego rw'intara vyategekanijwe kuwa 26 Ndamukiza 2025 i Mahwa.

Kubwayo makuru nyene, kuruwo musi nyene wa 21 Ndamukiza 2025,muri zone Mugeni,uwurongoye umugambwe CNDD-FDD ku mutumba, yaragirishije inama Abakenyererarugamba bo kumutumba Kigomagoma. Muri zone Gatabo yo muri iyo komine, umukuru w 'umugambwe uri ku butegetsi ku mutumba Nkaramanyenye aherekejwe n'abajejwe kwigisha akarangamutima k'umugambwe bo kuri uwo mutumba, baragirishije inama abaserukira inama nshingiro z'umugambwe, kurutonde rw'ivyigwa harimwo guhimiriza kuja gutora amakarata bazotorerako igihe bazozitanga bkaba bizotangura mu misi iza no kwitaba amanama atandukanye atunganywa n'umugambwe canecane izitunganijwe kuwa gatandatu mu nama nshingiro.

Kubwo ayo makuru nyene, muri iyo zone , kuri uyo musi,umugambwe uri ku butegetsi waratunganije igikorwa kigamije kwerekana ubukomezi bwa CNDD-FDD murico hakaba harimwo umuhanuzi wa komine ajejwe ibikorwa vy'ubutunzi,politike,ubutungane n'imibano.

Mwiyo ntumbero kuwa 22 Ndamukiza 2025, ku mutumba kibimba, zone Kayogoro yatunganije inama ku rutonde harimwo amahoro, umutekano, ugutegura amatora hamwe no gutegura kwerekana ubukomezi bw'umugambwe ku rwego rw'intara ya Burunga.

Kuwa 23 Ndamukiza 2025, ku gacimbiri Musenga, umutumba Shaka, zone Dunga, harabereye inama y'abayoboke b'umugambwe CNDD-FDD.Kubwo amakuru dukurayo, inzego z'umugambwe muri zone zarabagendeye kandi ku rutonde rw'ivyigwa harimwo amahoro, umutekano hamwe no gutegura amatora.

Kubwo amakuru twarose, kuri uwo musi nyene, muri zone Gatabo, harabaye urugendo rw'abajejwe kwigisha umugambwe mu nama shingiro ya 24 ;25 ;26 ;27 ;28 ;29 na 30 zo kumutumba Nkaramanyenye muntumbero yo guhimiriza a Bagumyabanga bazosidukane n'iyonka mu birori bigamije kwerekana inkomezi z'umugambwe ku gwego rw'intara bitegekanijwe kuwa 26 Ndamukiza 2025 i Mahwa.

Kuwa 27Ndamukiza 2025,harabaye urugendo rw'umunyamabanga mukuru w'umugambwe CNDD-FDD mu ma zone Mugeni na Gatabo. Kubwo amakuru duurayo,mw'ijambo ryiwe, yakoresheje imvugo amenyereye turavye amajambo akunda kuvuga : *« Uwuzorukarisharuzomumwa,uwuzowucana bazowumuzimirizako kandi ntibazokoresha amaz*i ».Twibike kandi ko n'abaserukira amasengero atandukanye akorera muri komine Kayogoro bari bamenyesheje ko amasengesho yabo ategerezwa kurangira igihe c'isaha 4 kugira barekure abanyagihugu.

**Umugambwe UPRONA wiganye umugambwe uri ku butegetsi muri komine n'intara ya Rutana.**

**Kuwa** 27 Ndamukiza 2025 ku mutumba Museno,zone,komine n'intara ya Rutana, umugambwe UPRONA waragize inama. Amakuru dukurayo ku rutonde hari ikibazo kimwe gusa arico gutegura amatora.

## *I.2. ISHUSHO Y'UBUTUNGANE*

**Kurenga amategeko mukurungika abanywanyi babiri ba CNL baboshwe imisi 16 bitarekuwe n'amategeko imbere yo kurungikwa muri sentare i Makamba**

Kuwa 23 Ndamukiza2025, abanywanyi 2 b'umugambwe utavuga rumwe n'ubutegetsi CNL barungururijwe mw'ibohero ry 'i Makamba inyuma y'imisi16 bari mu gaheza k' igipolisi ca komine Kayogoro,ni ukuvuga imisi 2 irenga ku gihe kirekuwe n'igitabo c'amategeko, rigarukiriza gupfunga vy'agateganyo mu gipolisi ku misi 14 itarenga.

Abantu bantu ni Gatore Thierry na Ndayishimiye Thierry bari bahagaritswe kuwa 7 Ndamukiza ku mutumba Mugeni, muri komine Kayogoro, intara ya Makamba. Ihagarikwa ryabo ntiryakozwe n'igipolisi c'inyamiramabi,ryakozwe n'indongozi z'umugwi ushigikiye Reta Imbonerakure,bitwa Bikorimana Marc na Nsabimana Pierre, bavyumva kumwe n'uwurongoye i gipolisi muri komine.Ubuhinga bwo guhagarika buteye ibibazo vyinshi kuvyerekeye gukwirikiza amategeko.

**Impapuro zitariko umukono zazanye uruhigi**

Abo bayoboke 2 bahagaritswe inyuma yaho hatorewe inzandiko zitariko imikono mu burere bwinshi bwo mu Kayogoro hamwe no mu ntara nka Rutana, zitirirwa umugwi wiyita BDF Abisezerano. Izo nzandiko,zirimwo ibityoza ubutegetsi buhari, bihutiye kuzitirira abanywanyi b'umugambwe CNL, naho nyene ivyemezo vy'uko babifisemwo ukuboko bitigeze vyerekanwa.

Iseruka ry'ivyo vyandiko ryazanye iterabwoba rigirirwa abanywanyi ba CNL mukarere.Abantu benshi baba aho bo muri CNL barahunze, harimwo uwuserukira CNL muri zone Mugeni, Niyongabo Terance, arikumwe na Nyabenda Firmin na Jean Berchmans.Bose uko ari 3 ubu bari mu kinyegero haciye indwi zibiri.

**Ikintu kiraje ishinga kubwo abarorerezi**

Urwo rukwirikirane rw'ibintu biba biserura ico abarorerezi bamwe bita « ubwicanyi kubatavuga rumwe na Reta » mu Burundi. Imbonerakure zibanguka mu bikorwa vyo guhagarika abantu, kubura umutahe w'inyamira mabi utomoye, hamwe no kutubahiriza ibiringo birekuwe n'amategeko vyo gufungwa vy'agateganyo vyerekana , kubwo abaharanira agateka ka zina muntu, icuka ca politike kirangwa n'iterabwoba no kudakurikiza amategeko. Ntanakimwe sentare iramenyeha kuvyerekeye ivyo bagiriza Gatore Thierry na Ndayishimiyr Thierry, no kuvyerekeye ikiringo gitegekanijwe co gupfungwa vy'agateganyo.

## *I.3. UMWIHWEZO W'UGUTWARA*

***Gutora musitanteri mushasha wa komine Vyanda,intara ya Bururi***

Inama mpanuzwajambo ya komine Vyanda, mu ntara ya Bururi,kuyu wa gatatu,23 Ndamukiza 2025 yaratoye Evangeline Manirakiza mucicaro ca Musitanteri wa komine Vyanda. Amatora yabereye kuri komine yitabwe n'abajenama ba komine 13 muri 18 bagize inama mpanuzwajambo. Evangeline Manirakiza yatowe ku majwi 12 kuri 13 batoye, intsinzi iboneka vyerekana ko bahurije kuwitoza. Abandi 5bari basivye mugihe c'itora.

Iryo tora rije mugihe kidasanzwe,kirangwa n'icicaro kigaragara inyuma yaho uwahoze ari musitanteri Alexis Nshimirimana abohewe. Uwo nawe akaba ari mw'ibohero rikuru rya Mpimba. Akwirikiranwa kw'inyuruzwa ry'amatoni menshi y'ibigori vyegeranijwe n'ikigo c'igihugu ANAGESSA.

Inama mpanuzwa jambo yabonye ko vyihutirwa gusubiriza ico cicaro kugira ibikorwa vyo muntwaro bibandanye n'itunganywa ntirihungabane. Evangeline Manirakiza abaye rero umukenyezi wambere atwaye komine Vyanda, ikintu gikomeye cerekana ukudakumira n'intwaro ibereye. Azoshikira amabanga mu misi iza, hamaze kuba ibisabwa muntwaro. Evangeline Manirakiza, umukenyezi wo mu bwoko bw' abahutu, umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD. Asubiriye umuhutu nyene kandi umunywanyi w' umugambwe uri ku butegetsi.

### *I.4. ISHUSHO Y'UMUTEKANO*

Umwihwezo w'umutekano waranzwe muri kino kiringo ca kino cegeranyo n'ibintu nyamukuru bikurikira :

**Imbonerakure zagirizwa gutera ubwoba mugihe amatora yegereje muri komine Bubanza.**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 27 Ndamukiza 2025 ivuga ko muntara ya Bubanza, igihe c'amatora kizingamitswe n'ivyagirizwa Imbonerakure bikomeye : gukangisha kwica, amajambo abiba urwanko hamwe n'iterabwoba rigirirwa abatavuga rumwe na Reta bishira abanyagihugu mu cuka c'ubwoba , mugihe indongozi bitazorohera.

Mu makomine 5 agize intara ya Bubanza,icuka ni kibi amatora yimirije. Imbonerakure zagirizwa guturubika no gutera ubwoba abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na Reta,babategeka ko bose botora umugambwe uri ku butegetsi,kugira ntibibonereko. Iturubikwa ry'uko bazokwicwa baranarikoresha mukubwira abohirahira bagatora ahandi.Amanama yo mw'ijoro hamwe n'amahwaniro rusangi bivugirwamwo amajambo abiba urwanko,atumirira gukumira mbere no kwica abatabayoboka.

« Umugambwe uri ku butegetsi,urondera ko abanyagihugu bawutora kunguvu, kugira ntihabe amajwi y'impfagusa menshi »,vyavuzwe n'uwegereye intwaro muntara.

Ubuhinga butemewe n'amategeko, nko gutegekwa gufotorwa kugira bemeze ko batoye, vyoba biriko bitegurwa kugira intsinzi ntisibe.

Kuri ubwo, ubwoba buriganje mubo batavugarumwe, canecane abo mu mugambwe CNL. Bamwe mu banywanyi baba mu kinyegero, abandi barahunze akarere. Amajambo arimwo ivy'ubwoko arakwiragiye mu mitumba ,bigatuma haba icuka kibi mubantu.Ivyo vy'amoko bisa n'ibigamije gucanishamwo abantu kugira batware.

Buramatari w'intara ya Bubanza , Cleophace Nizigiyimana, aremera ko yumvise ivyo bivugwa, ariko akemeza ko atanumwe aramwitwarako kumugaragaro. Abahamagarira kugira amahoro bakongera bakayabungabunga.

Amakenga aguma aboneka muri iyo ntara ifise kahise ka politike k'imvururu, aho ihohoterwa mu matora ryamye.

**Ibitero muri KONGO hamwe n'itoroka rya bamwe mu Mbonerakure.**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa27 Ndamukiza 2025 imenyesha ko mu ntara ya Cibitoke kubwo ivyavuzwe n'uwahoze ku rugamba rw'aba FDD, urwaruka rw'Imbonerakure zishika 100, begeranirijwe mu kirindiro c'imyimenyerezo mu Cibitoke mu ntumbero yo kujanwa muri Kongo, bajabutse imbibe mw'ijoro rw'uwa gatandatu 19 rishira uw'Imana 20 Ndamukiza 2025.

Iryo soko nyene rimenyesha ko bagitangura bari450. Ariko bamaze kumenya ko bazohembwa na Kongo kubera bashizemwo aba Wazalendo muri FARDC, 350 bo muribo baratorotse. Ubwo butumwa bwoba bwatanzwe n'uwitwa Deo, uwurongoye urwego rw'abahumure b'umugambwe CNDD-FDD mu ntara

nshasha ya Bujumbura, umunywanyi w'ishirahamwe Bahumure. Kubwa Deo,aba Wazalendo boba bari 3000,mugihe aba FARDC bategekanya kwakira n'imiburiburi 10.000. Kuri ubwo. Izo Mbonerakure hamwe n'abahoze ku rugamba b'abarundi biyongera kuba Wazalendo kugira bagwane kandi binjire igisirikare ba kongo.bashobore gukwiza ibiharuro bisabwa.

Iyo ndongozi y'Abahumure yoba rero yarasavye abatashaka kwinjira igisirikare ca Kongo kwiyandikisha kugira bategure kubasubiza inyuma. Ariko,ntibashimye kwiyandikisha, bahisemwo gutoroka kandi mukinyegero.Kumusozo, 350 basubiye mu miryango yabo, mugihe 100 bonyene boba bahisemwo kuja muri Kongo.

## *II.UBURENGANZIRA BW'ABANYAGIHUGU NA POLITIKE*

### *II.1. UBURENGANZIRA BWO KUBAHO*

#### *II.1.1. Ibiziga vyatowe*

**Ikiziga c'umugabo catowe muri komine Muramvya**

Kuwa 23 Ndamukiza 2025, hafi isaha 12 zo mugitondo, ku mutumba Burambana, Komine n'intara ya Muramvya haratowe ikiziga c'umugabo. Kubwo abavyiboneye,ikiziga caciye kimenyekana ubwonyene n'abarengana. Ni uwo bita Vyuzura Jean afise imyaka67, umuhungu wa Kanyoni na Mperabanyanka,umurimyi avuka kuri uwo mutumba nyene.

Kubwo abo babibonye nyene,uwo muhisi yoba kuwa kabiri 22 Ndamukiza 2025 yari yiriwe ku maziko y'umugenzi wiwe ku mutumba Murambi bahereranye. Kubwo ayo makuru nyene, abamubonye kuri uwo musi hafi isaha 12 z'umugoroba bavuga koyari aborewe , inyuma yaho yanyoye ibiboreza vyinshi bivuye kukinyobwa bihingurira citwa « Tafauti » gifise urugezo rwo kuborera runini. Ico kiziga nticagira uruguma na rumwe.Igipolisi caratanguye amatohoza kandi ikiziga kiracari mu buruhukiro bw' Ibitaro vy'Imuramvya.

#### *II.1.2. Abantu bishwe kubera ukwihanira*

**Umuntu yishwe muri komine n'intara ya Gitega**

Mw'ijoro ry'uwa 24 Ndamukiza2025, hafi isaha 10 zo mu gitondo,ku mutumba na zone Mungwa, komine n'intara ya Gitega, Yohani Vyimana afise imyaka 43 yarishwe n'abanyagihugu baho. Kubwo amakuru dukurayo, inzu y'urudandazwa rwa Enock Niyonkuru afise imyaka 30 yaratewe n'umugwi w'abasuma. Niho uwitwa Vyimana Yohani yafashwe hanyuma arakubitwa gushika apfe, mugihe abagenzi biwe bashoboye guhunga.Yohani vyimana yavuka ku mutumba Muramba, komine Bugenyuzi yo mu ntara ya Karusi, umuhungu wa Ciza Claver na Nizigiyimana Mariya nk'uko biri kuri karangamuntu basanze mu mufuko iwe.

Ikiziga caciye kijanwa muburuhukiro bw' ibitaro bikuru vy'intara ya Gitega kw'itegeko rya Nkeshimana Emmanuel, atwara zone Mungwa na inyamiramabi Mpawenayo Jeanine na Manirakiza Dismas, bahashitse hafi isaha zibiri zo mugitondo kuvyirabira,ariko ntaco bakoze ngo hahagarikwe abikekwako icaha co kwihanira.

**Umuntu yarishwe muri komine Muhanga intara ya Kayanza**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 26 Ndamukiza 2025 ivuga ko kuwa 19 Ndamukiza 2025, ku gacimbiri Mubuga ko kumutumba Bushoka muri Komine Muhanga yo mu ntara ya Kayanza, Ndarugendamwo Ode afise imyaka 67, yarishwe n'ababanyi biwe bamuciye izosi n'umupanga bamwagiriza ibirozi. Kubwo amakuru y'abahishikiye,uwo yishwe yari avuye kwahira ivyatsi vy'inka aho yaca yicwa' Ikiziga ciwe catanguye kubonwa n'umwe mu babanyi biwe yitwa Ndayikengurukiye Febronie afise imyaka 34, aho yari avuye kurahura iwe kandi yaciye abibwira ababanyi b'umuhisi. Ayo makuru aremezwa na Benoit Ndayizeye musitanteri wa komine Muhanga. Amakuru ava kugacimbiri Mubuga avuga ko abantu

9 babana n'uwo yishwe bahagaritswe n'igipolisi kumvo z'amatohoza y'inyamiramabi hama batwagwa mw 'i bohero ry'igipokisi kuri komine Muhanga aho bari kuva kuwambere 21 Ndamukiza. Abikekwako icaha bo kugacimbiri Mubuga , umutumba Bushoka bahagaritswe ni abakwirikira :

1.NIBIGIRA Benoit imyaka 27

2.Kubwimana philbert imyaka 25

3.Ngendakumana Lazare imyaka 31

4.Ntikangishwa Renata imyaka 65

5.Bangirinama Emmanuel imyaka 50

6. Mperabanyanka Pie imyaka 71

7.Ndayikengurukiye Febronie imyaka 34

8.Bamboneyeko seraphine imyaka 59

9.Manirambona Nesotor imyaka 61

Ndayizeye Benoit musitanteri wa komine Muhanga avuga ko abantu b'aho i Bushoka bama mundyane bagirizanya uburozi akongera akabahamagarira kuva muri ivyo bintazi ahubwo biture abajejwe amagara y'abantu imisiyose iyo bagwaye aho kwiyumvira i birozi.

### *II.1.3. Abantu bishwe n'abantu batamenyekanye*

**Ikiziga c'umwigeme catowe muri komine Buyengero,intara ya Rumonge**

Mwijoro ryo ku wa 21 Ndamukiza 2025, ku mutumba Gasenyi,zone Mudende ,komine Buyengero intara ya Rumonge, umwigeme yaba munzu ya wenyene yarishwe n'abantu batamenyekanye.Abatware bo kumutumba bavuga ko yoba yishwe n'abantu bamwivye amahera inyuma yaho agurishirije itongo ryiwe riri kuri uwo mutumba nyene. Kubwo amakuru dukura mu barongozi, igipolisi caratanguye amatohoza kugira berekane ivyatumye yicwa banatore abikekawko icaha.

**Umuntu yishwe muri komine Ntega,intara ya Kirundo**

Kuwa 21 Ndamukiza nyene, ku mutumba Gitwenzi,komine Ntega yo mu ntara ya Kirundo, Kabonerano Jean afise imyaka 57 yarishwe hakoreshejwe imipanga yicwa n'abantu bataramenyekana ku metero 300 uva ku mutumba Gatwe. Kubwo amakuru dukurayo yari yagorobeje arikumwe n'umukenyezi wiwe basangira inzoga y'ugwagwa. Uwishwe yari umunywanyi wa CNDD-FDD ariko haraciye umwaka atitaba ibikorwa vy'uwo mugambwe kandi bakanuganuga ko yoba yarahinduye ivyiyumviro vya politike abau mu CNL. Uburongozi bwo kumutumba niho bwari ariko nta nakimwe cakozwe ngo batangure amatohoza.

**Ikiziga c'umwigeme catowe muri komine Mugamba , intara ya Bururi**

Kuwa 22 Ndamukiza 2025, ku mutumba Mpota muri komine Mugamba yo mu ntaraya Bururi, ikiziga ca Nadege Kezakimana, afise imyaka 26 atagira umugambwe yegamiya , caratowe kuri uwo mutumba mw'ibarabara rija kw'isoko ry'i Tora. Kubwo ababibonye, uwo mwigeme yari yavuye muhira ku kagoroba ko kuwambere agiye mw'ishirahamwe rihingura icayi i Tora aho yari mu mugwi w'abakozi bategerezwa gukora mw'ijoro kubw'umwe wo mumuryango wiwe. Mugihe bamwe bavuga ko yoba yishwe n'abataramenyekana, bafatiye ku mirabagu bamusanzeko kumubiri,no kugiti caruhafi yaho yatowe, Venuste Ntahombaye, musitanteri wa komine Mugamba avuga ko uwo mwigeme yoba yakubiswe n'inkuba ku mugoroba wo k'uwo wambere.

**Ikiziga catowe muri komine rugombo intara ya Cibitoke**

Kuwa 22 Ndamukiza 2025, igihe c'inyuma y'umutaga ,buriko buragoroba,ikiziga c'umusore w'umudandaza atemberaza ibintu afise hafi imyaka 15 caratowe kurya 9 ku mutumba Rusiga , komine Rugombo, hafi yo mugisagara ca Cibitoke hagati. Naho nyene ivyurwo rupfu rubabaje bitaramenyekana, ibivugwa mu banyagihugu ntibakekeranya kuvyegeka kuri bamwebamwe mu Mbonerakure. Haruguruwe itohoza kugira umuco wavyo uboneke.

Naho inkuru itangwa n'uwutashatse kumenyekana waho avuga ko bwoba ari ubusuma bwahindukiye nabi, ni inkuru idashobora kwemegwa n'abantu benshi.Abantu benshi biboneka ko baguye mu gahundwe kubera urwo rupfu, badoma urutoke ku Mbonerakure, umuhari w'urwaruka rw'umugambwe CNDD-FDD, bagiriza ko batera ubwoba mukarere.

Indongozi zo kumutumba zirigora muguhumuriza. Gilbert Manirakiza, musitanteri wa komine Rugombo yaremeje ko ikiziga catowe, aca ahamagarira abanyagihugu gukorana gose n'abajejwe umutekano.

Ikiziga c'umuhisi caciye kirungikwa mu buruhukiro bw'ibitaro vy'intara kugira hakorwe itohoza. Mu kurindira ibivamwo,abantu bo mu Cibitoke basaba ko ukuru kose kuri urwo rupfu kogaragara, bakizera ko ubutungane buzokora.

**Umuntu yishwe muri komine Itaba, intara ya Gitega**

Kuwa 23 Ndamukiza 2025, hafi igihe c'isaha imwe y'ijoro kumutumba Buhevyi,komine Itaba ,intara ya Gitega,Bakevyumusaya Deo, yubatse, afise imyaka 57, yarishwe bunyamaswa hakoreshejwe imipanga imbere y'umuhana wiwe.

Kubwo ababibonye, icatumye ubwo bwicanyi coba ari uko bamwagiriza ibirozi, kandi n'abamwishe ntibigeze bamenyekana gushika kuwa kane inyuma y'umutaga.Kubwo ayo makuru, ntamatohoza arakorwa n'igipolisi gushika ubu. Musitanteri wenyene Nyandwi Domitien niwe yahishikiye, aca atumirira abanyagihugu baho hantu kureka kwihanira.Ikiziga ca Bakevyumusaya Deo cahambwe kuwa kane inyuma y'umutaga mw'itongo ry'abapfuye ry'Itaba kw'itegeko rya Musitanteri.

**Ikiziga catowe muri komine n'intara ya Rumonge**

Kuwa 23 Ndamukiza 2025, muri karatiye Kanyenkoko,komine n'intara ya Rumonge, ikiziga ca Frederic Nimubona, umurovyi ku kivuko mu Rumonge,caratowe munzu yiwe kubwo amakuru dukurayo.Icamwishe nticamenyekanye kandi ikiziga caciye kijanwa mu buruhukiro bw'ibitaro bikuru vya Rumonge.

**Ikiziga catowe muri komine Muha y'intara ya Bujumbura**

Kuwa 23 Ndamukiza 2025, hafi isaha indwi zo mugicugu, muri karatiye Kibenga ya zone Kinindo, muri komine Muha intara ya Bujumbura,ikiziga caboze ca Prospere Sindabakwira afise imyaka 50, caratowe munzu yabamwo.

Kubwo amakuru dukurayo, uwo muhisi yavuka mu Rutoke, zone Mungwa, komine Gitega, intara ya Gitega, kandi ikiziga nticagira igikomere na kimwe.Ababikoze n'icatumye babikora ntibiramenyekana.Ayo makuru nyene yemeza ko ico kiziga catowe n'uburongozi harimwo uwutwara karatiye Kibenga Oscar Bizimana, hamwe n'abakozi bo mw'ishirahamwe ry'umusaraba utukura kugira bagihambe.

Amatohoza ariko arakorwa kugira berekane icamwishe naho abamwegereye bavuga ho yoba yasomye nturi.

**Ikiziga catowe muri Komine Muha, intara ya Bujumbura**

**K**uwa 23 Ndamukiza 2025 hafi isaha 12 zo mu gatondo, ikiziga c'umugabo ataramenyekana caratowe muri zone Kinindo, akabarabara Ntwarante, komine Muha, Bujumbura. Ico kiziga cari gifise ibikomere bituma bibaza ko yoba yaraborejwe igufa, imbere yo kwicwa akarekerwa ngaho hantu. Kw'itegeko rya Devote Ndayisenga, musitanteri wa komine Muha,ikiziga catwawe mu buruhukiro mu bitaro vy'Umwami Khaled.

**Ikiziga catowe muri komine Gashoho intara ya Muyinga**

**K**uwa 26 Ndamukiza 2025, kumutumba Muyange, Komine Gashoho, intara ya Muyinga, ikiziga ca Hakizimana Maurice,yababa imyaka 70 yatowe ikiziga mu gatondo. Kubwo amakuru dukurayo, ikiziga c'uwo musokuru cari gifise inkovu mw'izosi vyerekana ko yoba yishwe anizwe mugihe yari yitahiye.Abuzukuru biwe 2 babana bari bagabishije ko atatashe. Igipolisi carabibonye hanyuma ikiziga gica gitwagwa mu buruhukiro. Abamwishe n'ico bamuhoye ntibiramenyekana.

### *II.1.4. Abantu bishwe kubera Amatati ivyo baheraniraniye*

**Umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD yishwe muri komine n'intara ya Bururi**

Kuwa 24 Ndamukiza 2025, mukarere ka Kavumvu, umutumba Rushemeza wo muri komine n'intara ya Bururi, Libere Ndayiragije, afise imyaka 60, umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD yarishwe anizwe na mwene wabo Minani Mechac , afise imyaka 50 basangiye umugambwe.

Mu ntango,ni amatati afatiye ku giti c'isederi bapfa. Kubwo ababanyi,uwo muhisi yaranizwe aho yariko agarageza kubuza Mechac guca ico giti cegukira muvyo ukuri Ndayizeye Libere. Ikiziga caciye gitwarwa ubwo nyene mu buruhukiro bw'ibitaro bikuru vy'intara i Bururi. Uwikekwa ko icaha yarahagaritswe ajanwa n'abapolisi mw'ibohero rya komisariya y'intara ya Bururi kugira bamwugururire urubanza.

### *II.1.5. Abantu bahagaritswe canke babuzwe irengero*

**Umunywanyi w'umugambwe CNL yanyurujwe muri komine Mutimbuzi, intara ya Bujumbura**

Kuwa 21 Ndamukiza 2025, Christophe Masimo, umunyabigega w'umugambwe CNL, muri komine Mutimbuzi intara ya Bujumbura, yaranyurujwe mugihe yari mu murima w'umuceri mu Maramvya.

Kubwo amakuru tuhakura,uwitwa Kadafi, Imbonerakure yo mu Maramvya ,yaramwegereye nkuko yoba agomba kugura imbuto z'umuceri. Amaze kumwemerera, Kadafi yoba yaciye abwira Christophe ko yomukwirikira kugira amurihe. Kuva ico gihe Christophe ntaragaruka haba mumurima canke imuhira.

Abamwegereye n'umuryango wiwe , bafise ubwoba ku mutekano wiwe,kandi bamurondeye hose barabura, basaba ko iyo Mbonerakure Kadafi, yoshirwa mu butungane kugira yerekane aho Christophe ari.

Christophe yaba kurya 15 mu Maramvya.Ni umunywanyi agira kabiri mu bayoboke ba Rwasa anyurujwe muri ako karere mukwezi kwa Ndamukiza.Uwambere, Fidele Nkorumbone yanyurujwe kuwa 2 Ndamukiza 2025 n'abakozi b'igendereza ry'igihugu, harimwo uwitwa Atia Nduwimana. Fidele ntaraboneka gushika uwo musi.

## *II.2. UKUBAHIRIZWA KU MUBIRI NO MU MUTWE*

### *II.2.1. Kuborezwa igufa n'ayandi makubagurwa atagira izina*

**Umwana yaturiwe muri komine Bukirasazi intara ya Gitega**

Inkuru yashikiriye umuhari iteka kuwa 26 Ndamukiza 2025 ivuga ko kuwa 15 Ndamukiza 2025 hafi isaha 7 z'umutaga, ku mutumba Migano, komine Bukirasazi, intara ya Gitega, Igiraneza Don Briant,afise imyaka 8 kandi yiga mu mwaka wa2 kw'ishure shingiro ry'i Bukirasazi, yaraturiwe ku ntoke na nyina wiwe, Bizimana Emelyne. Uwo nawe yamwagiriza ko yamwivye inoti ya 2000. Atewe akamo n'uwuharanira agateka k'umwana,indongozi zarahashitse vuba bwango, Bizimana Emelyne yarahagaritswe hama ajanwa mw'ibohero rya komine Bukirasazi,munyuma ajanwa mw'ibohero rya komisariya y 'intara ya gitega mukurindira urubanza. Uwakorewe icaha ntiyashoboye guheza ibibazo vy'igice ca kabiri kubera ayo makuba.(01)

**Umuntu yakubiswe n'imbonerakure kw'itegeko ry'umutware muri komine n'intara ya Cankuzo**

Kuwa 22 Ndamukiza 2025, Hatungimana Leonidas, yubatse ,afise abana5,aba ku mutuma Muyaga,muri komine Cankuzo yarahagaritswe hafi isaha 10, n'Imbonerakure 5, kw'itegeko rya Alexandrine Rwaramaze, ingongozi y'umutumba Muyaga,hanyuma atwarwa mw'ishamba :ahitwa « ikosorero » kuri uwo mutumba,aca arakubitwa mu mugongo, ku maguru, gushika aho imivyimvyi y'ibiguma iza. Yarekuwe arihiwe n'umugore wiwe kuri terefone y'umwe muri izo Mbonerakure amahera angana na 50000 kugira akize ubuzima bw'iwe. Bamuhoye ko yasivye mu bikorwa vy'amaboko vyo gukorera ibiti vyatewe n'umugambwe CNDD-FDD kumusozi Nyamusenga uri hafi y'i Muyaga.

Naho biri uko yari yaraterereye amahera angana 5000 batoye kukazu adandarizamwo, n'ibikombe 9 vy'ibigori batoye muhira iwe.Bukeye bwaho kuwa 23 Ndamukiza 2025, yaritwate kwa Boniface Banyiyezako Buramatari w'intara ya Cankuzo, yitwarira Alexandrine Rwaramaze, umukuru w'umutumba Muyaga. Boniface Banyiyezako, Buramatari, yarahamagaye Alexandrine Rwaramaze kuri terefone kugira aze kwisigura iwe. Inyishu zavuye muri ico kirego ntizamenyekanye.Uwakorewe icaha Leonidas Hatungimana ari mu mugambwe uri ku butegetsi, ni umudandaza kandi aremera ko atanga intererano y' umugambwe imisi yose iyo bikenewe.

### *II.2.2. Amabi afatiye ku gitsina*

**Kugerageza gufata kunguvu muri komine n'intara ya Rumonge**

Kuwa 23 Ndamukiza 2025 hafi isaha 8 ,ku mutumba Nyakuguma ,zone Kigwena, komine n'intara ya Rumonge, uwitwa Niyompundu,afise imyaka 12 yarakubaguwe arahakwa gufatwa kunguvu n'umugabo atamenyekanye. Kubwo ababibonye, uwakoreye icaha yari yagiye mw'ishamba gusenya aca ahurirayo n'umuntu atazwi yagerageje kumufata kunguvu, Imana yose yagize n'uko yakomye akaruru atabaza hama abarengana baraza ariko uwo muntu ntibagize amahigwe yo kumufata yarahunze. Twomenyesha ko uwakorewe icaha yari impfuvyi itagira n'umuvyeyi n'umwe kandi afashwe nabi na mukase. Uwakorewe icaha ntiyaronse ubufasha na bumwe.(02)

## *II.3. UBURENGANZIRA BWO KWIDEGEMVYA*

### *II.3.Abantu bahagaritswe kandi bapfunzwe bidaciye mu mategeko*

**Abamenyeshamakuru babiri bahagaritswe hanyuma bakarekurwa i Bujumbura**

Kuwa 21 Ndamukiza 2025, hafi igihe c'isaha 4, umumenyesha makuru Willy Kwizera akorera i radiyo Bonesha FM na Ahmad Masudi Mugiraneza wa Radiyo Nderagakura , barahagaritswe n' igipolise mugihe bariko bafata amakuru kumwigaragamvyo w'abahemukiwe na COOPDI imbere y'ikigega INEZA IWACU.

Abo bamenyesha makuru babiri, umbwambere batwawe mu Kinama mw'ibohero rya zone,imbere y'uko bimurirwa mw'Igendereza ry'igihugu kugira babazwe. Baciye bapfungirwayo bagirizwa kugwanya i gihugu no kugumuka.

Yakuwe n'ubuyobozi bw'iradiyo Bonesha FM, Colonel de police Habimana Pascal, umukuru w'inyamiramabi mw'igendereza , yavuze ko abamenyesha makuru bari babariwe ivy'uwo mwigaragamvyo hakiri kare ariko ntibabimenyesha igipolisi. Yabafashe nk'abateguye iyo myigaragamvyo,ashira amaradiyo yabarungitse, mu runani rugamije kudurumbanya umutekano mugisagara mugihe c'amatora. Yavuze ko bari kurindira ingingo y'ababijejwe.

Naho biri uko, hafi igihe c'isaha 11n'igice, komiseri Eduard Mukoko yahamagaye abayobozi b'amaradiyo Bonesha FM na Radiyo Nderagakura kugira abamenyeshe irekurwa ry'abo bamenyesha makuru ashikiriza ko habaye ukudatahurana. Yafashe kandi ingingo yo kurekura abantu bashika ijana bahagaritswe mu Kinama muri iyo myigaragamvyo.

Kubwo abahinga muvyo kumenyesha amakuru, iryo hagarikwa ryerekana urugero rwo kuburabuza ubwigenge bwo kumenyesha amakuru mu Burundi.Baridogera abahagarika abamenyeshamakuru bariko bikorera akazi, mugihe itegeko rishasha ku makuru ryo muri 2024, ryakuye guhana amakosa amwamwe kubinyamakuru. Abahinga muvyo amakuru mu Burundi, bahamagarira kubaha amategeko, ubwigenge mu kumenyesha amakuru hamwe n'umwuga wo kumenyesha amakuru. (03)

### II.3.2. Uburenganzira ku mwidegemvyo no gutembera uho ushatse

**Umukenyezi aboshwe kubera atashoboye kuriha ibitaro muntara ya Gitega**

Niyonzima Clemance,umukenyezi w'imyaka 65, ava ku mutumba Mitimiri komine Giheta, intara ya Gitega, yari agwaje umugabo wiwe Mathias Kobero yari aremvye cane ikiringo c'amezi 10 ku bitaro vyo mu Kibimba, muri komine Giheta. Naho bari bakenye,yaragumye mu bitaro nk'umurwaza w'umugabo wiwe gushika yitabe Imana muri Munyonyo 2024.

Amaze gushengera,ubuyobozi bw'ibitaro mu Kibimba, buhagarariwe na Dr Nahimana Elyse, bwamutegetse kuriha amahera angana na 7.000.000. Kubwo uwavyiboneye, Clemance ni ntahonikora, kandi nta nakimwe abona yokuramwo amahera nkoyo. Niko kuboherwa muri ivyo bitaro kunguvu kuva muri Munyonyo 2024. Uwo mupfasoni atanguye kwerekana ibimenyetso vy'ihahamuka kubera apfunzwe kugira ntarengane irembo ry'ibitaro.(01)

## *III.UBURENGANZIRA KU BUTUNZI, IMIBANO N'IMICO KAMA*

### *III.1. UBURENGANZIRA MU NDERO SHULE*

**Ubusuma bw'ikibazo mu buyobozi bw'indero bwa komine Bugendana**

Ibara ryaguye mu buyobozi bw'indero muri komine Bugendana rifatiye ku kibazo c'icigwa co kwiyungunganya mu mwaka 7 n'uwa8 cari gitegekanijew gukorwa kuwa 11 Ndamukiza 2025 ari ku mus iwa gatanu. Buca hashika,kuwa 10 Ndamukiza 2025, umwigisha w'ico cigwa kw'ishure shingiro Mukoro, Mukeshimana Leopold, yarasubirishijemwo ico kibazo abanyeshure bo mu 7 n'uw'8 munyubakwa z'ishure ya komine Bugendana.

Iryo yimuka ryatumwe n'uko inyubakwa z'ishure shingiro rya Mukoro ryabomowe n'imvura y'imituragaro. Mugihe c'iryo subiramwo ritamenyerewe, abavyeyi bamwe b'abana biga kw'ishure shingiro rya Bugendana ya II, bakorera ikibazo mu kirasi bahereranye, bubiriye abanyeshure bafise impapuro ziriko ikibazo cose c'ico cigwa mu mwaka 7 na 8, kandi nibo bavuye kw'ishure shingiro rya Bugendana baza kubivuga.

Umuyobozi w'ishure shingiro rya Bugendana ya II yaramenye ko ari ikibazo nyene cahawe abanyeshure uko kiri.

Ico kintu cazanye amakenga menshi.Abanyeshure benshi barabajijwe kuvyerekeye iyo ikibazo cavuye.Bosco, umugenduzi w'ivyigwa mu buyobozi bw'indero mw'ikomine yaragize itohoza mu banyeshure bo mw'ishure shingiro rya Bugendana II mw'ibanga. Yaratoye ko ari umwigisha Mukeshimana Leopold, azwi nk'umunywanyi akomeye w'umugambwe CNDD-FDD yoba ariwe vyavuyeko.

Naho biri uko, ivyavuye muri iryo tohoza gushika ubu bibitswe nk'ibanga.Inyishu yemewe kwabaye guheba ikibazo. Ariko rero,ibintu bitangaje, ico kibazo kiri mubibazo abasubiramwo bazokora kuwa 29 Ndamukiza 2025 ata no kubimenyesha abigisha canke abayobozi,mugihe ababikoze bidegemvya ataco binona.

Kuri ico kintu, haba abayobozi b'amashure canke umuyobozi muri komine ntanumwe yashoboye gushiraho ingingo zitomoye,kandi gikikujwe n'agacerere kikwije.

Ibintu nkivyo biraserura ibibazo kucizere c'ubutungane mumashure hamwe no kudahana kubantu bamwebamwe vyononа iterambere n'akanovera k'indero.(01)

## *IV. GUSOZERA N'IMPANURO*

⇒ Kugira amatohoza akomeye,adahengama, ku mugaragaro hama bakerekana ivyaha bakanashira mubutungane abavyikekwako.

⇒ Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka kazina muntu riguma ryunyuka mu Burundi,ukanatera ivyatsi ukudahana abakora amabi.Muri ibi bihe vy'agahinda, umuhari Iteka uratera akamo kihuta Reta y'u Burundi kugira ifate ingingo vyihuta zo guhagarika ihohoterwa,guha ikibanza ubutungane n'ukungana kw'abavuka gihugu bose.

⇒ Kubahiriza ubwigenge bw'ibinyamakuru hamwe n'umutekano w'abamenyeshamakuru.

⇒ Gukinga amabi yose kandi hakaba amatora mumahoro anizewe na bose.

⇒ Gushira imbere umubano mwiza,hakagwanya ikiza gicanishamwo hamwe n'amajambo abiba urwanko.

⇒ Kubuza ibikorwa vy'iterabwoba bigirwa n'Imbonerakure, cane cane muri ibibihe vy'amatora.

⇒ Gukingira amateka nshingiro no guhagarika amabi yose akorwa n'Imbonerakure.